KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Yosuwa

- Old Testament Ⅱ / 1st story -


4Page


5Page


6Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Mose yahora arongora abisirayeli yapfuye imbere y'uko abisirayeli bashika i Kanani. Ni uko Imana ibagenera umurongozi musha. Yitwa Yosuwa. |
| Uhoraho | Ba umuhizi kandi urinde. Ntugire ubwoba. Nzobana nawe nk'uko nabanye na Mose, kandi nk'uko nari naremereye Mose, nzoguha igihugu c'i Kanani. |
| Uwuvuga | Yosuwa yari umuhizi kandi yararinda, kuko Uhoraho yari kumwe nawe nk'uko yari yarabimwemereye. Yosuwa atora abatasi babiri ngo bagende gutata igihugu c'i Yeriko. Umugore yitwa Rahabu w'i Yeriko anyegeza abo batasi mu nzu iwe. |

| | |
|---|---|
| Umusirikare | Twatewe! Bamwe mu bisirayeli baraye aha batata iki gihugu! |
| Uwuvuga | Umwami w'i Yeriko arashangashirwa yumvise ko abatasi b'Abisirayeli bari i Yeriko aca ategeka ingabo ziwe kubafata bakabamuzanira. Ariko Rahabu afasha abo batasi babiri kuyanyaga. |
| Rahabu | Nk'uko nabakiriye n'ubugwaneza, ndabasavye nimwagaruka gufata Yeriko muzonsigire ubuzima bwanje, ubw'umuryango wanje mudukize urupfu. |
| Uwuvuga | Abo batasi bizeza Rahabu ko batazomuhemukira hanyuma barayanyaga bava impore i Yeriko. |

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Inyuma y'imyaka 40 bayerera mu bugaragwa, abisirayeli barahava bashikira uruzi Yorodani rutemba iruhande y'igihugu c'isezerano, Kanani. Imbere yo gushika i Kanani, abisirayeli bategerezwa kujabuka uruzi Yorodani, ariko nta bwato bwari buhari canke ikiraro. Kujabuka mu mikuba y'urwo ruzi biboneka nk'ibidashoboka. |
| Umugabo | (Yerekana i Yeriko) Yewe ga ye! Mbega dushika hariya gute! |
| Umugore | (Yikunkumura) biragaragara! Ntibishoboka! Nukuri ntibishoboka!! |
| Uwuvuga | Hanyuma Uhoraho abarira Yosuwa. |
| Uhoraho | Uyu musi ngira nguheshe icubahiro imbere y'amaso y'abisirayeli bose, kugira ngo bamenye ko ndi kumwe nawe nk'uko nabanye na Mose. Barira abaherezi bareruye isandugu y'isezerano bahagarare mu ruzi Yorodani. Ni babikora, uruzi rurahagarara gutemba. |

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abaherezi bari bareruye isandugu y'isezerano bururukira mu ruzi, ubwo nyene ikintu igitangaza kirashika. Ya mikuba y'uruzi irahagarara amazi ararengana hanyuma amazi aratemba arahera imbere y'abisirayeli kugira ngo abisirayeli bace kw'isi yumye. |
| Yosuwa | Buhorobuhoro. Ntibikenewe kugenda murasunikana. Nimwitonde. |
| Umugore | Halleluya! Urakoze mukiza! |
| Umugabo | Sindabitahura! Ndiko ndagendera muri ca gitangaza co ku kiyaga gitukura! Biratangaje!! |
| Uwuvuga | Abisirayeli bajabuka impore uruzi Yorodani nk'uko ba sekuruza babo bajabutse ikiyaga gitukura. |

---



7Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga<br>Uhoraho | Yosuwa ahagaze inyuma ya Yeriko Uhoraho aramubarira. Uzokwigarurira igisagara ca Yeriko. Muze muzunguruke ico gisagara mwese n'ingabo zambaye ibigwanisho zose. Muzobikore imisi itandatu. Uzubarire abaherezi bavuze inzamba zo mu mahembe y'impfizi y'intama, ariko abandi bose bazobe bari agacerere. Ku musi ugira indwi, muzozunguruke igisagara incuro indwi, muri kumwe n'abaherezi bagenda baravuza inzamba. Maze nimwumva bavyavugije n'ijwi rirenga inzamba, mukuva ijwi ryayo, abantu bose bazoce biha akamo rimwe, maze uruzitiro rw'ico gisagara ruzoca rubomokera hasi. |
| Uwuvuga | Yosuwa abibarira abisirayeli. |
| Yosuwa | Mwese mutegerezwa guceceka nitwaba turiko turazunguruka iki gisagara- muzokoma akaruru umusi nzoba ndabibabariye!! |
| Uwuvuga | Buri musi muri ya misi 6, abisiriyeli bubaha umukiza hanyuma bazunguruka igisagara rimwe ku musi. |

---



8Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi w'indwi urahava uragera. Kuri uwo musi babigenza nk'uko Uhoraho yabibategetse, abisirayeli bazunguruka igisagara incuro indwi hanyuma abaherezi bamaze kuvuza inzamba n'ijwi rirenga, abisirayeli bose biha akaruru. |
| Yosuwa | Twese hamwe dukome akaruru!! Uhoraho yatugabuye Yeriko mu maboko! |
| Abisirayeli | Aaaaaaaaaaaaaaah!!!!!!! |
| Uwuvuga | Bagikoma induru, ibihome vya Yeriko bitangura kunyiganyiga. Gagaga! Gagaga! Gagaga! Bihomvomvokera hasi. Yeriko irahomvomvoka kandi n'abari hagati yavyo barapfa. Ariko nk'uko vyasezeranywe, Uhoraho arokora Rahabu, umwe yafasha ba batasi babiri, hamwe n'umuryango wiwe. Yosuwa hamwe n'abisirayeli bizeye ijambo ry'Uhoraho barahava barinjira kandi baba mu gihugu c'i Kanani. |